Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

*Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06*

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Facebook:Ndongozi y'Uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°832 01 Ruhuhuma 2025

# Nuturekurire umwenda tugufitiye, uturonse amahoro



Foto: Ifoto yo mu bubiko

**IV. Ihangiro ry'amahoro**

12. Abazofata urugendo rw'umwizero, mu gukora ibi bikorwa mpanuye, ni bo bazobona ko bariko baregereza ihangiro ryipfuzwa rwose ry'amahoro.

Umuririmvyi w'izabuli atumara amazinda kuri uwo muhango mu kugira ati, iyo: "urukundo n'ukuri bihanye ikaze, ubutungane n'amaho-ro bigwana mu nda" (Zab.85,11).

Igihe cose nemeye gushira hasi ikigwanisho y'ico ninjiza, nkugururira inzira y'umwizero umuvukanyi, mba ntereyeye mu kugarukana ubutungane bw'Imana kw'isi, kandi nca ntambuka ngana amahoro, ndi kumwe n'uwo muntu.

Nkuko yabivuze umweranda Yohani wa mirongo ibiri na gatatu, amahoro y'ukuri nta handi ashobora gukomoka atari mu mutima w'uwiyambuye ibigwanisho vy'agahinda n'ubwoba bw'ingwano.

Soma ku Rup. 3

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

# Murundi wese, gira ico ukoze kugira Uburundi bushike kw'ihangiro ry'igihugu giteye imbere

11. Kugira igihugu gitere imbere, igikorwa c'iremezo ni ukubungabunga ivyo ufise ukongera ukagwiza umwimbu.

Muri uyu mwaka, twarabonye ko Abarundi bataretegera neza ibijanye no kubungabunga ubutunzi bw'igihugu. Abagwizatunga n'abadandaza, ntibaratahura akamaro k'amakori n'amatagisi, abakorera Reta ntibaratahura ikoreshwa neza ry'ikigega c'igihugu;

Soma ku Rup. 4

Foto: Ifoto yo mu bubiko



## Ibirimwo

o 2025, Yubire y'Umucunguzi, Yubire yawe....6
o Ikinyabusabire Mercure, ni uburozi bubangamiye ubuzima bw'umuntu....8
o Uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere....10
o Igisabisho c'ubumwe bw'abemera Kristu....12

# Idominika ya kane: *Umwaka C*

## Igisomwa ca mbere: *Yeremiya 1,4-5.17-19*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Yeremiya :

*« Nakugeneye kuba umuhanuzi mu bihugu »*

Mu gihe c'umwami Yoziyasi, Umukama yambwiye aya majambo, ati: «Imbere y'uko usamwa mu nda y'uwakwibarutse, nari ndakuzi; utaranavuka, nakugeneye kuba umuhanuzi mu bihugu.

Kenyera rero zigume; va hasi uje kubashikiriza ivyo jewe ubwanje nzogutegeka. Ntugire ubwoba imbere yabo, ahandi ho nzogutera ubwoba imbere yabo.

Jewe nyene, imbere y'iki gihugu, uyu musi, ndagushinze nk'igisagara gikomeye, nk'inkingi y'icuma, nk'urugo rw'ifeza: abami ba Yuda, abategetsi, abaherezankuka n'igihugu cose bazokurwanya, ariko ntibazoshobora kugutsinda, kuko ndi kumwe nawe nkaba umuvunyi wawe.»
Iryo ni ijambo ry'Umukama.

## Igisomwa ca kabiri: *Abanyakorenti :12, 31-13,13*

Ivyo dusoma mw'Ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyakorenti :

*«Ukuvuga amazina urukundo»*

Ncuti zanje, mu ngabirano z'Imana nimurondere iy'agaheta. Ubu ngira ngo ndabereke inzira iruta izindi zose. N'aho novuga indimi z'abantu n'iz'abamarayika, ntafise urukundo, noba meze nk'icuma gihuhuma canke nk'ikinjanja casirana; n'aho nogira ingabirano y'uguhanura kw'izina ry'Imana, nkamenya amabanga yose n'ubwenge bwose, n'aho nogira ukwemera kwuzuye gushobora n'uguterura imisozi, ntafise urukundo, nta co noba maze; n'aho notanga ivyanje vyose ngo ngaburire abarushwa kandi n'aho nokwita mu muriro, ntafise urukundo, nta co vyomarira.

Urukundo ruriyumanganya; urukundo rugenza runtu; nta shari rugira; urukundo ntirwihayagiza, ntirwishira hejuru; ntirukora ikitaroranye; ntirurondera akunguko; ntirugira ishavu; ntirubika akabi mu nda; ntirunezerezwa n'ubugunge, ariko runezerezwa n'ukuri; rurenzako muri vyose, rwemera vyose, rwizigira vyose, rurinda vyose.

Urukundo ntiruhera. Ubuhanuzi?... buzotinda buhere. Indimi?... zizotinda zihere. Ubumenyi?.. buzotinda buhere. Na none, tumenya agace kandi duhanura agace; ariko aho ikirangutse kizoshikira, ivy'agace bizoca vyibagirwa.

Aho nari nkiri umwana, navuga nk'umwana, nkiyumvira nk'umwana, ngasobanura nk'umwana; maze kuba umugabo na ho, naciye mpeba ivy'ubwana.
Ubu, tubonera mu cirore ivyijiji, ariko hanyuma tuzobona imbonankubone.
Ubu, nzi agace, ariko hanyuma nzomenya nk'uko nanje menywa n'Imana. None rero, ikigumaho ni ukwemera, ukwizigira n'urukundo:ariko muri ivyo bitatu, ikibiheta vyose ni urukundo.

## Inkuru nziza: *Luk 4,21-30*

**Alleluya! Alleluya!**

*Umukama yandungitse ngo mburire Inkuru nziza aboro andungika gukwiza mu baboshwe ubukiriro.*

**Alleluya!**

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nk'uko yashikirijwe na Luka:

*«Nka kumwe kwa Eliya na Elize, Yezu ntiyatumwe ku Bayuda bonyene»:*

Umusi umwe, Yezu yari mw'isinagoga y'i Nazareti; amaze gusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya, ababwira ati: «Uyu musi, ivyanditswe vyarangutse imbere yanyu.» Bose baramwemera, bagatangazwa rwose n'amajambo meranda yavuga. Hanyuma baribaza bati: «None, uwo si wa muhungu wa Yozefu?»

Arababarira ati: «Ndabizi ko muhava muncira uyu mugani ngo: Muvuzi, banza wivure wewe nyene! Ivyo twumvise vyose wagize i Kafaranawumi, bigire ngaha mu mavukiro yawe.» Atako avuga ati: «Ni ukuri ndabibabwiye: nta muhanuzi n'umwe yumvirwa aho yavukiye.»

Kandi ndababwiye ukuri: muri Israyeli hari abapfakazi benshi mu gihe ca Eliya, hamwe imvura yatara mu myaka itatu n'amezi atandatu, hagatera inzara kw'isi yose, ariko Eliya ntiyarungitswe ku mugore n'umwe atari ku mupfakazi w'i Sarepta muri Sidoni. Hari kandi abanyamibembe benshi mu gihe c'umuhanuzi Elize, ariko nta n'umwe muri bo yatyorowe, atari Nahamani Umunyasiriya.»

Mu kwumva ivyo, baciye bose banigwa n'ishavu mw'isinagoga; bavuye hasi, bamuhindira inyuma y'igisagara, baramujana gushika hejuru ku musozi igisagara cari cubatsweko, ngo bamucuranguze. Ariko we, abaciye hagati, arigira.

# Tuzirikane Ijambo ry'Imana

Bakristu, bavukanyi dusangiye ukwemera, nimuze tuzirikane iryo Umukama atuyagiye kuri uyu musi wiwe ugira kane wo mu mwaka C.

Ku w'Imana uheze, twarumvise Yezu abwira ab'aho yarerewe (i Nazareti) y'uko Umutima w'Umukama uri kuri We, kuko yamusize amavuta y'ubutore ngo amenyeshe Inkuru nziza ibohora, igatanga umwizero, amahoro n'akanyamuneza.

Uyu musi na ho arababwira ko ivyanditswe vyarangutse mu maso yabo. Na bo rero bagatangazwa butangare n'ukwumva ayo majambo meranda yava mu kanwa kiwe.

Ariko n'aho bumva avuga vyiza, nticababujije kwibaza mu mitima yabo ibibazo bimwe bimwe bigaragaza ubugarariji n'ubuhakanyi bushingiye ku kibano.

Abarundi bati: «Ikibano kirakengereza». Eka ntibabeshe! Ng'abo rero batanguye kuvuga bati: «None, uwo si wa muhungu wa Yozefu? » Kwa Mariko hoho turabona bavuga nyina, n'amazina ya bene wabo na bashiki we (musanzwe muzi ko hari ababifatirako ngo batyoze Bikira Mariya; ariko uyu musi aho si ho duhagarara).

Mu kudondagura incuti za Yezu, abo banya Nazareti bashatse kwerekana ko bamuzi bikwiye, kandi ko ivyo bumva avuga, eka mbere n'ibitangaro bumva yakoreye i Kafarnaumi, badategera neza iyo biza bituruka. Yakuze bamubona kuva akiri uruyoya, vyongeye bakaba bazi ko n'umuryango wiwe atari uwuhambaye, none ga ntibashaka kwakira ivyo vyiza biva kuri we.

Yezu, yarabishuye abanje kubabwira ko bahava bamucira umugani bati: «Muvuzi banza wivure wewe nyene!», ati: «Nta muhanuzi n'umwe yumvirwa aho yavukiye».

Aca ahera aho ababwira ivyabaye mu gihe c'umuhanuzi Eliya, ko yarungitswe ku mupfakazi w'i Sarepta mu gihe amapfa yari yateye bivuye ku gutara kw'imvura, ababwira n'ivy'umuhanuzi Elize na Nahamani Umunyasiriya.

Abo bompi barungitswe gukiza abanyenkiko, bamwe bafise umutima uciye bugufi, ugashobora kwakira abahanuzi b'Umukama.

Ivyo bikaba mu gihe abishima, abibaza ko ari bo bagenewe gukira basigaye bifumbereje mu manyama yabo, ubwishime n'ugukomantaza umutima kwabo.

Ivyo bikatwereka ko Imana itagira nkunzi kandi ko mu bihugu vyose ishima uwuyubaha kandi agakora ibitunganye (Raba Ibikorwa vy'Abatumwa 10,34-35).

Urukiza rw'Umukama rwagenewe bose, si urw'abayahudi gusa, si urw'abari mu mugwi kanaka bonyene, si urw'abari mu mugambwe uyu canke uriya gusa, si urw'abari mu muryango uyu canke uriya gusa, si urw'abari mu bwoko ubu canke buriya gusa, abo mu ntara iyi canke iriya gusa, n'iyindi migwi myinshi mushobora kumenya igitigiri cayo. Ni urw'abantu bo mu mihingo yose yo kw'isi, ata n'umwe avuyemwo, kuko imbere y'Imana nta n'umwe yagenewe gutakara akagirire.

Ni co gituma rero Imana iturungikira abahanuzi bayo ngo badukebure, bongere badukaburire kwumva no kwakakira Ijambo ritwinjiza mu bwami bwayo butagira imbibe.

Bakunzi b'Imana, ayo majambo natwe uyu musi aratwerekeye cane. Mbe burya ndakira abahanuzi ndungikiwe n'Imana? Ubwo nta ho nica amatwi, nkibaza ko ukuri nzi mu bumenyi ubu canke buriya ari ntabanduka? Ubwo ndorohera Mutima-Mweranda avugira mu bahanuzi ngo ampe kubākīra ntarinze kuraba amamuko yabo canke igihagararo cabo?

Aho rero tuhagabire, ntitumere nk'aba banyanazareti twumvise. Dukwiye kumenya ko ubutumwa bwo kuba umuhanuzi atari umuntu wenyene ubwiwe abwiha, ahubwo ko ari umuhamagaro uva ku Mana, igaheza igasiga amavuta ya Mutima uwo yitoreye, igaca imwirungikira gusamiriza hose Ijambo ryayo rimurikira amakungu.

Ni ho twumva mu gisomwa ca mbere Yeremiya atubwira ivy'umuhamagaro wiwe, ko uwo muhamagaro Imana yawumugeneye imbere y'uko asamwa mu nda y'uwamwibarutse. Aha kandi bikanatwigisha gusonera ubuzima bw'umuntu kuva agisamwa gushika ashengere i bukama.

Abakristu bose barabatijwe, barasizwe, baba abasaserdoti abahanuzi n'abami. Mwa bakenyezi namwe bigeme, mwarahawe ubwo butumwa igihe mwemera kwegukira Kristu. Ntimugafatanye kuba aba-Kristu n'aba-Sekibi, yo soko ry'igicumuro n'urupfu.

Ivyo bibondo mwibungenga, muhamagariwe kubibungabunga, kuko imbere y'uko mubasama, Umukama yari abazi. Nimwumvire abahanuzi bahagarariye Ekleziya, namwe muheze mube abahanuzi ubwanyu mu kuzigama ubuzima bwo mbitso mwabikijwe na Rugira.

Si abakenyezi n'abigeme gusa, namwe bagabo n'imisore nimwirinde kuba inyanduruko y'amaganya n'ububabare kuri abo bigeme n'abakenyezi, ntimube ba «sindabibazwa».

Mu kwumvira abahanuzi turungikirwa n'Umukama, tuba tubaye abagendera urukundo rw'Imana, kuko na bo mu kuza kuduhanura bagamburuka urukundo rw'Imana nyene. Ni vyo twumvise mu gisomwa ca 2 vyerekeye rwa rukondo rwihangana, rwemera vyose, rurinda vyose (mbere n'umusaraba), kandi rudahera.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Murundi wese, gira ico ukoze kugira Uburundi bushike kw'ihangiro ry'igihugu giteye imbere

*(Bitangurira ku rup. 1*

mbere benshi bifata nk'uko batazi amahera igihugu gikoresha iyo ava.

Twarabonye no mu bushikiranganji bumwebumwe basohora amahera, bafatiye ku masoko atabaho n'ibikorwa bitakozwe.

Mbere n'abarongozi b'amabanki, bifata nk'abatazi ko ari bo bajejwe kubungabunga itunga ry'igihugu, kandi ari bo bari kuba abahinga igihugu cikorako.

12. Mbere uyu mwaka, twarabonye n'abatoba n'impaka ubutunzi bw'igihugu: Bamwe baranyegeje amahera y'igihugu kugira abenegihugu babure ayo baja gusumisha kandi ari rwabo; abandi barashoye ibidandazwa mu bindi bihugu, ariko ntibatahana amahera mvamakungu baronse, ndetse n'ingenzi mvamahanga zaje mu gihugu, amahera mvamakungu zazanye barayegeranije barayanyegeza, kugira igihugu ntikironke amahera mvamakungu yo kugura ivyo Uburundi butihingurira.

Hari n'abandi bacisha ivyo baranguye hanze mu binywabi, kandi bazi neza ko ayo babiguze yavuye i Burundi. Aho hose bahunga amakori n'amatagisi.

13. Uyu mwaka buca dutangura rero, uzananye n'impinduka mu gutunganya ubutunzi bw'igihugu. Abahora batazi ko gutoba itunga ry'igihugu ari igicumuro gihanwa n'amategeko mpanavyaha, nibabimenye kuko, ubu, abahora bigira ibiro biteze, bakinisha itunga ry'igihugu, bagiye gufatirwa ingingo. Ica mbere coco mube murakimenya, amakori n'amatagisi ategerezwa kwinjira yose mu kigega c'igihugu.

Uwuzokwigira sindabibazwa na we, amenye ko intahe izomukubita mu gahanga. Hariho abahora babikora bitwaje ko bahagarikiwe n'abigira ibihangange. Uwuzofatwa abimenye, n'uwamkingiye ikibaba, bazohanirwa hamwe.

Abatozakori mbaye ndabagabisha: Ubu mumenye ko ari ukwitanga, bibaye ngombwa duhindure amategeko abagenga, ku buryo bazohemberwa ico bakoze, abinjije make bahembwe make, abinjije menshi bahembwe menshi.

14. Mw'ibungabungwa ry'ikigega, na ho nyene ni mubimenye; amahera yose ategerezwa gusohoka twabonye neza ico agiye gukora ku neza y'abenegihugu. Abahora rero bayayangira mu kinyegero, bamenye ko uyu mwaka buca utangura ari uwundi.

Tuzokoresha ubushobozi bwose duhabwa n'amategeko kugira abafise izo ngeso batuzwe, mbere n'abayasohoye ataco agiye gukora tubakurikirane, bayagarukane kandi bahanwe.

15. Mu bijanye n'igisata co kugwiza umwimbu, Abarundi bose bavyumve kuko si ubwa mbere ndabivuze. Kugira utunge wongere utunganirwe, utegerezwa kugira umwidegemvyo mu bijanye n'ubutunzi. Uwo mwidegemvyo ntuzoboneka utunzwe no gutega amashi.

16. Umuntu wese azi ko akorera uwundi, naho uzoba ukorera igihugu, niwibaze uti: "Mbega aka kazi nkora kohera uyu musi nobaho gute"?

Niwibaza ico kibazo, ugasanga ikirato kizoca kiguhengamirako, umenye ko ata kazoza uzoba ufise, uce ukura amaboko mu mpuzu, ukore ikintu kiguha umwimbu ushora kw'isoko.

17. Ivyo gushora ntibibuze: hari ibiva mu burimyi n'ubworozi, ibiva mu burovyi, ibiva mu bwonko bwacu n'ibiva mu bikorwa vy'ingenzi. Turizeye ko ata wobura ico atora muri ivyo.

Ivyo bigaca bijana no guhingura ivyo twimbuye be n'itunga kama Imana yaturemeye. Umurundi atari muri ivyo bisata mvuze, ntaco ariko arafasha mw'iterambere ry'igihugu dushaka. Naho woba uri mu bindi bikorwa, ni vyiza ko ugira n'akantu gatoyi ukoze kagwiza umwimbu kugira uhe agaciro amafaranga ufise.

18. Dutegerezwa kugwiza umwimbu kugira dukure hanze bike. Birababaje kubona mu masoko yose, mu maduka, yuzuyemwo ibintu biva hanze, mbere harimwo n'ivyo twari kwihingurira ngaha iwacu!

Uno mwaka, dufatiye ku biharuro duhabwa n'ikigo kijejwe kwegeranya amakori n'amatagisi (OBR), amafaranga yinjiye mu gihugu avuye mu vyo dushoye hanze angana n'amadorari imiriyoni mirongo umunani n'ibihumbi amajana atatu na mirongo itanu, na mirongo itandatu na rimwe (80.350.061 $), ariko ivyo twakuye hanze bifise agaciro kangana n'amadorari umuriyaridi n'imiriyoni amajana umunani na mirongo ibiri n'indwi, n'ibihumbi mirongo itatu na kimwe n'amajana ane (1.827.031.147$).

Ikibabaje, muri ivyo vyavuye hanze, ivyo kwinezereza ngo twerekane ko turi abakire ni vyo vyinshi.

Ikindi kibabaje, ni uko n'ubwo ivyo vyavuye hanze bifise ako gaciro, amafaranga mvamakungu yavuye mu ma banki kugira birangurwe angana na n'amadorari imiriyoni ijana na mirongo umunani n'imwe, n'ibihumbi mirongo itandatu, n'amajana umunani na mirongo icenda. Biragaragara rero ko ibice birenga 80% vy'amafaranga akoreshwa mu kurangura hanze,

*Ibik. urup.7*

# Nuturekurire umwenda tugufitiye, uturonse amahoro

*(Bitangurira ku rup.1)*

13. Ese umwaka 2025 woba umwaka w'aho amahoro atera imbere! Ayo mahoro y'ukuri kandi arama ntagarukira ku mpari zifatiye ku masezerano canke ku vyo abantu bemeranya ku meza y'ibiganiro.

Niturondere amahoro y'ukuri, ayo Imana igabira umutima wayimbuye ibigwanisho: umutima udaharura ibinyega n'ibikwega; umutima utsinda ukwigungirako mu kwihutira kugenda gura n'abandi; umutima udatinya kwemera ko ufitiye ideni Imana, gurtyo ugaca ubanguka guhebera abandi amadeni abacinyiza; umutima urengera ukwihebura imbere ya kazoza, kubera umwizero w'uko umwe wese ari itunga ry'iyi si.

14. Ukwiyambura ibigwanisho vy'umutima ni ikintu kiraba zina muntu wese, kuva ku bambere gushika ku banyuma, kuva ku bato gushika ku bakuze, kuva ku batunzi gushika ku boro.

Rimwe na rimwe bisaba ibintu bito cane, nko "kumwenyurira uwundi, kugirira uwundi akamenyetso k'ubugenzi, kuraba neza uwundi, kwumviriza uwundi ata gahemo, kurasana ku wundi utarondera inyungu".

Uko tugira utwo tuntu twose, twaba duto canke tunini, ni ko twerekeza ku mahoro, kandi tuzonayashikira ningoga, cane cane ko uko tugendana n'abavukanyi twasubije hamwe, ari ko dusanga twamaze guhindura ingendo, tugereranije no mu ntango.

Amahoro ntaza gusa ngo n'uko intambara ihagaze; aza nyabuna iyo hari intango y'isi nshasha, isi twisangamwo mu budasa bwacu, twunze ubumwe kuruta, tukarushirizaho kuba abavukanyi uko tutabiziga.

15. Mukama, dutabaze amahoro yawe ! Ng'ico igisabisho ntuye Imana, mu gihe ndiko ndipfuriza umwaka mushasha Abakuru b'ibihugu n'amaleta, Abayoboye amashirahamwe mpuzamakungu, Abakuru b'amadini, n'umuntu wese Imana ikunda akayikundira.

Turekurire amadeni yacu, Mukama, nkuko natwe turekurira abayadufitiye, kandi muri iyo ntumbero y'ugutanga ikigongwe, uduhe amahoro yawe, Ayo mahoro Wewe wenyene ushobora guha: abemeye kwamburwa ibigwanisho vyo ku mutima, abemeye, kubera umwizero, guhebera amadeni abavukanyi babo, abadatinya kwemera ko na bo bagufitiye umwenda, abo bose batazi kwica amatwi ku maborogo y'abarushwa.

Bigiriwe i Vaticano, ku wa 8 kigarama 2024,

***Papa Fransisko***

**Vyahinduwe mu kirundi n'Igisatakijejwe Ubutumwa n'inyigisho ndoramana muri Ekleziya y'i Burundi**

# Kugira ikibano ciza gitere intambwe mu Burundi, haracakenewe utwigoro twa bose

Haraheze imyaka ine, abahurikiye mw'ishirahamwe mpuzamadini CICB bagerageza guhimiriza abari mu migwi itandukanye y'ubuzima bw'igihugu ngo bashire imbere, mu butandukane bwabo bwose, ikiyago n'ingingo nk'inzira yo gutsimbataza ikibano ciza n'amahoro vyo mushinge w'iterambere rirama.

Ni muri iyo ntumbero iryo shirahamwe riherutse gutuganya uruganda rwo gusuzuma ivyavuye mu cirwa c'umwihwezo w'ikibano ciza hagati y'abarundi, rukaba rwabereye mu nyubakwa y'amanama y'ihoteri «King's Conference Centre» y'i Bujumbura. Hari wa gatanu igenekerezo rya 10 Nzero 2025.




Mu kiganiro catanzwe na Nyenicubahiro Musenyeri Joachim Ntahondereye arongoye ishirahamwe CICB akaba n'Umwepiskopi wa Diyoseze Katolika y'i Muyinga, yavuze ko intumbero y'urwo ruganda ari iy'uguterera ngo mu gihugu c'Uburundi haboneke ikibano ciza, haba hagati y'abanyamigambwe itandukanye, hagati yabo n'abashinzwe intwaro, be no hagati yabo n'abenegihugu muri rusangi.

Ku bwa Nyenicubahiro Musenyeri Joachim Ntahondereye, ivyo ngo bisaba ko habaho ikiyago gishingiye ku kwubahana no kwemera ko abantu bose ari magiriranire, maze abantu bakayaga batumbereye kwubahiriza iciza kiri mu wundi, mu bo babana, mu bo bavugana, kandi bagatumbera ku-giha agaciro, kugira ngo umwe

*Ibikur. urup. 9*

# 2025, Yubire y'Umucunguzi, Yubire yawe.

Ku wa 15 kigarama 2025, abungere b'Ekleziya Katolika barashikirije igihugu ceranda c'Imana inyigisho yabamenyesha igihe turimwo ca Yubire y'Imyaka 2025 Ekleziya Mawe wacu irimwo ihimbaza ukwigira umuntu kwa Jambo akaza kubana natwe.

Nyakubahwa patiri Bujeni Nsanzerugeze arongoye igisata gishinzwe Ubutumwa n'Inyigisho Ndoramana mu Nama y'Abepisikopi Gatolika b'i Burundi, akaba n'-Umukuru w'Umurwi mpanuzwajambo uherutse gushingwa n'Abepisikopi ngo ukurikirane ibijanye n'integuro be n'ihimbazwa ry'iyo yubire mu Burundi, yarashikirije ikiganiro Ndongozi y'Uburundi mu ntumbero yo kumenyekanisha iyo yubire.

*None yubire n'iki?*

Ijambo «yubire» ryavuye mw'ijambo ry'igihebreyi «Iyoberi» risigura ihembe ry'impfizi y'intama ryakoreshwa mu kuvuza inzamba y'akanyamuneza yatumirira igihugu c'israyeri guhimbaza imyaka 50. Babigira bisunze ivyanditswe muri bibliya ngo « Uzoharura amasabato indwi y'imyaka indwi kugwiza n'indwi. Iminsi yayo masabato indwi y'imyaka indwi izongana kuri wewe n'imyaka 49.

Ukwezi kugira indwi, igenekerezo ry'icumi, uzovuza izamba z'akanyamuneza ku munsi w'ikigongwe, muzovuza inzamba mu gihugu cose. Umwaka ugira mirongo itanu, muzowugira mweranda hanyuma mutangaze umwidegevyo mu gihugu kubakibamwo bose». (Bene Levi 25,10).

Uwo mwaka mweranda w'umwidegevyo, ariwo mwaka wa Yubire, muri Ekleziya watanguye uhimbazwa uko imyaka mirongo itanu iheze.

Mu mwaka 1470 Papa Paul wa kabiri yarashinze ko wohimbazwa uko imyaka 25 iheze. Iyo ngingo niyo nubu Ekleziya yisunga.

*Ekleziya y'i Burundi yateguriye gute guhimbaza iyo yubire ?.*

Abungere baragenye umurwi mpanuzwajambo w'abantu batanu ushinzwe kwegeranya ivyiyumviro nyunganiranteguro ya Yubire ugizwe n'abasaseredoti batatu, uwihebeyimana umwe n'umukristu mulayike umwe.

Ku wa 15 Kigarama 2024, abungere baraduhaye ubwahuro ku rwego rw'Ekleziya y'i Burundi, badutumirira kw'injira mu nteguro ya Yubire, batako baramenyesha n'imirwi izoshimikirwako ku rwego rw'igihugu, n'ingene bizogenda ku rwego rw'amadiyoseze.

Ku wa 29 Kigarama 2024, haciye iminsi itanu Papa yuguruye icese umuryango mweranda w'isengero ry'itiriwe Petero mweranda i Roma, nk'ikimenyetso kiboneka cuko yuguruye icese umwaka wa Yubire; Abungere bacu umwe umwe muri Diyoseze yiwe, baruguruye nabo iyo Yubire.

*Iyo yubire izosigarana iki abakristu?*

Mw'ikete Papa yashikirije umu Karadinale yashinze integuro ya Yubire, amusaba gukora ibishoboka vyose kugira ngo Ekleziya izofashe abakristu gukomeza ingeso ndoramana z'ukwemera, urukundo n'ukwizigira.

Yubire ni akaryo karashe ko kwinjira mu nzira yo guhinduka, ikadufasha gutangarira ivyiza Imana yaduhaye mw'irema kugira ngo tubibungabunge ku neza ya twese kuko ari inzu rusangi.

Mu nyigisho yiwe yise «Umwizero ntutetereza», Papa yipfuza ko uko guhinduka ko kwiserura mu kwitwararika gusubiza umwizero imirwi mikuru mikuru ikurikira: abanyororo, abarwaye, urwaruka, inyambukira n'abageze mu zabukuru.

Yubire yodusigarana kandi ingendo yo gukomeza amahoro aho dueherereye kuko atari uko nta n'umwizero ushoboka. Kristu niwe mahoro yacu; kwinjira mu rugendo rw'integuro ya Yubire nk'umuryango kuko ari urubanza sanganyantororokanya muryango mu gukomeza ingendo y'igisabisho, nkuko Papa abidusaba.

Abungere bacu nabone ijambo risa niryo; kwitabana urukundo n'umwete ibikorwa bazobasaba ku rwego rwa Diyoseze na Paruwase yanyu.

Tubamanyeshe ko i Roma kuva kuri uwu wa 26 Nzero hatanguye ingendo nyeranda mu ntumbero yo guhimbaza iyo Yubire. Hakaba hatanguye abamenyesha amakuru n'abandi barangura ubutumwa busa n'ubwo.

Na Diyoseze nkuru ya Bujumbura igiwe imbere n'ikigo kijejwe kumenyesha amakuru muri Diyoseze caratunganije Yubire y'abamenyeshamakuru ku wa 26 Nzero 2025 kuri Katedrale Regina Mundi.

*M S V Marie Goreth Ndikumana*

# Murundi wese, gira ico ukoze kugira Uburundi bushike kw'ihangiro ry'igihugu giteye imbere

(Bitangurira ku rup.4)

ava mu minwe y'abanyonyezi bayanyegeza mu mazu.

19. Ni co gituma tugiye gufata ingamba kugira tugarukire ubutunzi n'iterambere ry'Uburundi.

Ku bakozi ba Reta, mubimenye kandi mubitegere ko igihe c'imikino carangiye.

Mu misi ya vuba tugira tugendere ibisata vya Reta bitwereke ico bigiye gukorera abenegihugu muri aya mezi atatu, ni ukuvuga mu misi ijana.

Abatagira umugambi na bo, nta kundi, kuko kuva ubu nta muntu n'umwe agiye kubandanya ahembwa ataco yakoze. Abata ibikorwa vyabo bagiye ku mabaramiro mu bunywero, tugiye kubafatira ingingo ruhasha.

20. Ikindi kintu gihambaye ariko gitangaje, ni ingene amafaranga ari ku ma konte y'amashirahamwe ya Reta, umengo si ayayo, ugasanga abajejwe kuyarongora bayafata nk'ayabo bwite, bakibagira ko bashinzwe kuyabungabunga no kuyavyaza umusaruro ku neza y'igihugu.

Aha rero aboba bibaza ko bategerezwa gukoresha amafaranga y'amashirahamwe ya Reta nk'ay'abo bwite turabavuniye akagohe, ntibahirahire ngo basubire gukora ibidakorwa, kuko vyohava bibakora!
Bose baterezwa kwumva ko ayo mahera baharura ko ari ay'igihugu, ategerezwa kwandikwa mu mutungo w'igihugu harya mu kigega gikuru c'igihugu.

21. Abihaye na bo ingeso yo kunyegeza amahera iwabo, canke amabanki anyegeza amahera kugira ibanki nkuru ntimenye ingene itunganya ibijanye n'ubutunzi, na bo nagira ndabagabishe.

Tugiye gukoresha ubushobozi bwose Imana yaduhaye kugira turandurane n'imizi ako kabi.

Uwo tuzosanga raporo yiwe itandukanye n'ukuri, abimenye ko ari icaha gihanwa.

Twarabonye kandi ko mugutoba itunga ry'igihugu hari inzoka yizingiriye ku gisabo, ngo twanse ko batoba itunga ry'igihugu vyose bimeneke.

Naho nyene, tuzokoresha ubwenge Imana yaduhaye iyo nzoka tuyimature kandi tuyihonyore ku mutwe, ico gisabo gisigare kidora.

22. Mu kugarukira iterambere, dushaka yuko ata Murundi yorya ataco yahaye amaboko.

Twasanze Abarundi batakaza n'imiburiburi amasaha 16 ku musi, ivyo bituma umwimbu utagwira, ariko abafungura ari benshi.

Birababaje kubona incabwenge, indongozi zari kuba akarorero, uzisanga mu bunywero imbere y'isaha zitandatu canke imbere yuko izuba rirenga.

Ni co gituma tugiye kugwanya twivuye inyuma amabaramiro yose akorana mu masaha abantu bari kuba bari ku gikorwa. Ico 9 ndababwiye ni uko incabwenge arizo zizotangura kubona ingene tuzogwanya uwo muco.

23. Ku ruhande rw'uburongozi bw'igihugu, turazi ico ibisata vya Reta bisabwa : Ni umutekano, ubutungane no gukora ibishoboka kugira abenegihugu bari ku kivi boroherezwe.

Tugiye gukora ibishoboka kugira igihugu na co gishobore kuronka uburyo butuma abo benegihugu baramirwa.

Ni co gituma tugiye kwitaho bimwe biboneka igisata co guhingura ubutare, kugira Uburundi na bwo buronke ico bushora hanze, buronke uburyo bwo kwubaka inyubako rusangi no kurondera umuyangankuba ukwiye.

Barundi, Barundikazi 24. Uburundi buteye imbere kandi, nti tuzobushikira tutitayeho ibidukikije. Nti twibagire ko iyi isi ari ingabire twahawe n'Imana ku buntu. Itubungabungiye ubuzima, ni na co gituma natwe dutegerezwa kuyibungabunga.

Gukingira ibidukikije, ni ugukunda isi n'igihugu cakwibarutse. Ni co gituma tuzokwama duhimiriza guca imikobeko aho hose ikenewe, no gutera ibiti canke ivyatsi ku kengera z'inzuzi.

Barundi, Barundikazi,

25. Iyo twavuye turahazi kandi turahazirikana, iyo tuja turahazi, murumvise ko ari kure.

Ni kure ariko haragendwa, tuzohashika kuko ni heza ; « ico umutima ushatse nti kiba kure y'amaguru ». Nshingiye ku vyo mpejeje kuvuga vyose, nsavye mwese Abarundi ibi bikurikira:

26. Ni mugire urunani mu gukora, musenyere ku mugozi umwe. Kuva na kera na rindi, Abarundi bamye bakorera hamwe, bagahinda ikibiri kugira barime hanini, bimbure vyinshi bipfuza.

Na twebwe rero, mu gihugu cose, tuje hamwe, turangure imigambi iduza ubutunzi, dutunge, dutunganirwe. Ntihagire uwusubira guhagarika umutima kubera ibicantege duhura, ivyo vyose tuzobitsinda turi ku kivi.

***Biracaza***

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ikinyabusabire Mercure, ni uburozi bubangamiye ubuzima bw'umuntu

Nk'uko tubibwirwa na Polisi Alphonse, umuhuzabikorwa mu mugambi witiriwe Mercure akaba n'umuhinga yigenga, avuga ko ikinyabusabire, arico twokwita igihingunrwa nyezina Mercure ari icuma kimeze nk'amazi agumagumye bukebuke kandi aremereye, afise ibara ry'umujumbu (argent). Iyo ishuhijwe k'umuriro naho ica ihinduka umwotsi.

Ivyo bica bituma mercure ikoreshwa cane mw'ihingurwa ry'ibintu vyinshi dusanga turiko turakoresha mu buzima bwacu bwa misi yose.

*None aha mu Burundi hariho ikiny mercure ?*


Aha mu Burundi, naho tudahingura mercure, irahari kubera akenshi tuyisanga mu mavuta ahindura umubiri dukunda kwisiga, turayisanga mu mabateri ya terefone ngendanwa, mu mabetri y'iradioyo, muri amwe mu materemometre apima ubushuhe bw'ikirere, ahandi tuyisanga ni mubibanza bicukurirwamwo inzahabu.
Ha ruhande y'ivyo, turayisanga kandi muma machine nyabwonko, mu miti ipompa ibiterwa, muri imwe mu miti yo kwa muganga nk'iyo bakoresha mu guhoma amenyo, muma ampure no mu bindi vyuma bitari bike.

*Ivyo twihereza, bihurira hehe na mercure ?*


Mercure turahurira mu bifungurwa bitandukanye igihe bitewe mw'isi irimwo iyo mercure, tutibagiye inyama igihe ibitungwa birishije ubwatsi bwameze mw'isi irimwo mercure, turayifungura mu ndagara n'amafi igihe tuzirovye mu nzuzi zatembeyemwo mercure.

*Ubundi buryo umuntu ashobora kwandura mercure*

Mu kuronka inzahabu bahejeje kuzicukura, harakoreshwa ivangavangwa ry'amazi na mercure hamwe n'ibicafu vyacukuwe biba vyinyejemwo utuzahabu duto duto cane, mercure rero ifise igikorwa co kugerageza kwegeranya izo nzahabu izikura muri vyabicafu.



Ico gihe civangwa, mercure irashobora kwinjirira mudutoboro twihemero ry'umubiri w'uwuriko arakora ico gikorwa.



Ivyo biheze, imicafu isheshwe muri ico kibanza, ijana na ya mercure bikanyengetera mw'isi.

Ibitungwa bizorisha ivyatsi bizomera muri ivyo bibanza, bizaba biriye ico mercure nayo ice yiyarika mu mubiri wazo, natwe duce duhurira mu nyama.

Muri ya si nyene yinjiwemwo na mercure, irimwo utu nyabuzima, ivyo dufungura bizoba birimwo ico cunyunyu, igihe haje inkukura utwo tunyabuzima dushobora kuja mu migazo, imigazo igahereza inzuzi, inzuzi zigahereza ikiyaga.

Twa tunyabuzima tuzoribwa n'utudagara duto duto turi muri izo nzuzi, bigende birakurikirana uko nyene gushika ku mafi manini natwe nitwabifungura hace habaho uruhererekane rwa mercure.
Ivyo biraheza bikagenda nk'uko igihe twihereje ibiterwa vyatewe muri ivyo bibanza vyacukuriwemwo inzahabu hakoreshejwe mercure.

*Mercure ibangamira imirwi iyihe y'abantu ?*

Ubushakashatsi bwakozwe, bwerekana ko abakenyezi bibungenze babangamirwa cane igihe mu mubiri wabo haba haramaze kwiyarikamwo mercure. Iyo biri uko, uko umuvyeyi ahanahana ubuzima n'umwana yibungenze, niko amuhanamwo na mercure.

Kubera abasoda b'uwo mwana baba batarakomera ngo bashobore kurwanira umubiri wiwe, ari naco gituma hari aho umwana ashobora kuvuka adafise ibihimba bikwiye nko kuvuka adafise ukuboko, ukuguru, canke akavuka afise ibihimba bitameze neza nko kugira umutwe munini, kutagira inguvu zo guhagarara akaguma ajugumira, kudafata ku mutwe, kutabona neza, kutavuga n'ibindi, canke ugasanga umuvyeyi yibarutse umwana ameze nk'igihume.

I*yindi murwi ibangamirwa ni abana bakiri bato, hamwe n'abageze mu za bukuru.*

***Biracaza***

**Chanel HARINGANJI**

# Kugira ikibano ciza gitere intambwe mu Burundi, haracakenewe utwigoro twa bose

(Bitangurira ku rup.5

umwe wese agire intererano atanze ngo igihugu kibeho mu butungane n'amahoro arama mu kwubahiriza uburenganzira bw'umwe wese ku buzima bw'imibano n'igihugu.

Ku vyerekeye umwihwezo ku kibano ciza hagati y'abarundi, mw'ishirahamwe CICB ngo barabona ko hariho ibisata bimwe bimwe vy'ubuzima bw'igihugu usanga harimwo akarusho, nk'uko vyabandanije bishikirizwa n'uwo muyobozi, ku bisata bitatu basuzumye: igisata c'imibano n'imico, ic'ubutunzi be n'ic'intwaro (politike).

Mu gisata kimwe kimwe ngo hari aho akarusho kaboneka, n'ibindi vyerekana ko impinga ikiri ndende, ko hagikenewe ivyo gukorwa ngo hagire akarusho kaboneka.

N'aho igisata c'imibano n'imico ari co catanze amanota adateye ubwoba cane, ariko igisata c'ubutunzi n'ica politike vyovyo ngo vyerekana ko abarundi batari bake badashimishwa n'ukuntu ivy'ugushikira uburongozi be n'uburinganire mu vy'ugushikira itunga rusangi vyifashe.


Vyongeye, ngo ivyiyumviro vy'abenegihugu ntivyitwararikwa n'abajejwe intwaro. Ahandi na ho ngo haribonekeza agahaze kanini mu bijanye no gutorera umuti amatati.

Uguha agaciro amatora no gukomeza ubumwe bw'abantu bushingiye ku ntwaro rusangi ikora neza

Mu gihe urwo ruganda rwateguwe himirije amatora y'abashingamateka azoba muri Ruheshi 2025, abitavye urwo ruganda basavye ko hoba uguha agaciro amatora no gukomeza ubumwe bw'abantu bushingiye ku ntwaro rusangi ikora neza, ukwubahiriza uburenganzira n'imigambi y'abanyagihugu, hamwe n'uguteza imbere inyungu rusangi, ukwihanganirana, ukubabarirana n'ugusubiza hamwe, ukurwanya ibiturire, ukwubahiriza uburenganzira bwa kiremwa muntu no kugwiza utwigoro two gukorera hamwe ibikorwa rusangi n'ikiyago mu butandukane bwacu bwose ata buryarya.

Kubw'Umushingamateka Félicien Nduwuburundi, atwara rwego mpuzamigambwe yemewe mu Burundi, amenyesha ko abarundi babana neza, kandi ko hari ibimenyetso vyerekana ko ubumwe bw'abantu bushoboka. Yagize ati:

«Haraheze imyaka 20 inyuma y'amagume yamaze imyaka 10; tugereranije aho twari n'aho turi uno musi, turabona ko hariho itandukaniro rinini cane.» agirako asaba abarundi bose guharanira amahoro n'umutekano no kwubahiriza amategeko, kuko ngo ata kwubahiriza amategeko



haba ugusubira inyuma. Sheikh Amini Abdalah, umwe mu bari baserukiye umuryango w'abisilamu mu Burundi COMIBU, na we nyene yaremeje ko hariho iterambere rikomeye rimaze guterwa mu bijanye n'ikibano kibereye hagati y'abantu mu Burundi. Ariko ntahakana ko hakiriho ibigikenewe gutezwa imbere, bigisaba bisaba utwigoro twa bose ku neza rusangi.

Ku bw'urwo ruganda, vyaribonekeje ko ugukomeza ikibano ciza bisaba uruhara rw'umunyagihugu wese, ukwiyemeza kw'inzego za Leta, abahurikiye mu mashirahamwe adaharanira ivyicaro vya politike hamwe n'amadini, kandi ko ukuroranirwa muri iyo nzira kuzovana n'i-kiyago camaho kandi kivuye ku mutima uzira uburyarya, ukwemerana mu butandukane bwacu n'ukuronderera hamwe inyishu ku bw'iteka n'itekane mu gihugu.

Tubamenyeshe ko urwo ruganda rwari rwahuje indongozi z'amadini ahurikiye muri CICB, indongozi z'imigambwe ihurikiye mu rwego mpuzamigambwe be n'a-bajejwe intwaro.

Ni uruganda rwaje mu rukurikirane rw'izindi nganda zitandukanye zagiye ziraba mu ntumbero y'uwo mugambi «Dukire Tubane», w'ishirahamwe mpuzamadini mu Burundi (CICB) rifashwe mu mugongo n'ishirahamwe CRS.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere

Umuntu yagirizwa icaha aguma afatwa nk'umwere gushika sentare ibifitiye ububasha imucire urubanza kandi yumvirijwe mu ntahe y'icese.

Ubu burenganzira buguma bwubahirijwe no mu gihe umuntu yafatanywe itonga.

Umuntu yiketsweko icaha arashobora gupfungwa mu gihe c'amatohoza ariko naho nyene ategerezwa gutandukanywa n'abapfungwa baciriwe urubanza.

Uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu c'Uburundi.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo uburenganzira.**

Uburenganzira bw'ugufatwa nk'umwere mu gihe umuntu yikekwako icaha butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

* itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no muri poritike,

*Amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana

* Hamwe n'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu



n'ak'abenegihugu.

***a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu.***

Uwikekwako icaha aba ameze nk'umwere gushika sentare imucire urubanza.

Tubisanga mu ngingo ya 11 mu gace kayo ka 1, kavuga ko umuntu wese yagirizwa icaha aba ameze nk'umwere gushika bakimwemeje mu rubanza ruciwe icese kandi yarekuriwe kwiburanira canke kwironderera uwumuburanira uko bikwiye.

Umuntu n'aho aba yafatanywe itonga agumana uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere gushika sentare imuciriye urubanza.

***b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu.***

Umuntu yikekwako icaha arafise uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere gushika igihe sentare imuciriye urubanza ko yakoze icaha.

Bitegekanijwe mu ngingo ya 14 mu gace ka 2, ivuga ko umuntu wese yagirizwa icaha aguma afatwa nk'umwere gushika igihe intahe imaze kwerekana icaha yakoze.

N'aho umuntu aba yikekwako icaha arafise uburenganzira agumana.

Tubisanga mu gace ka 3 k'iyi ngingo kavuga ko umuntu yikekwako icaha afise uburenganzira bwo kumenyeshwa vuba na bwango ico yagirizwa ido n'ido, akabishikirizwa mu rurimi yumva neza, akaronswa umwanya ukwiye kugira ategure uko yiregura, agashobora kubonana n'umushingwamanza amuburanira yirondereye kandi agashobora gusaba ko sentare ibaza ivyabona bimwagiriza kandi n'ivyabona bimukurako icaha bikabazwa bikongera bikumvirizwa ku rugero rumwe n'ibimwagiriza.

***c) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana.***

Umwana yikekwako icaha arafise uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere.

Bitegekanijwe n'ingingo ya 40 mu gace 2 b) i) ivuga ko umwana wese yagirizwa icaha aguma afatwa nk'umwere gushika icaha kimwagiriye.

***d) Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.***

Ingingo y'7 y'aya masezerano itegekanya mu gace ka 1 b) ko umuntu wese yikekwako icaha aguma afatwa nk'umwere gushika icaha kimwagiriye.

Uwikekwako icaha aragumana uburenganzira bw'ukwiregura no kurondera umushingwamanza amuburanira.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere mu gihe umuntu yikekwako icaha.

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere

(Bitangurira ku rup.10)

N'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya ubwo burenganzira.**

Mu mategeko y'igihugu c'Uburundi, tuza kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro n'ibiri mw'ibwirizwa n°1/09 ryo kuwa 11 rusama 2018 ryerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.

***a) Mw'ibwirizwa Shingiro.***

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashize ko umukono harimwo itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu, mu masezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana hamwe n'ibiri mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

Ni ukuvuga ko ivyavuzwe muri ayo mategeko bijanye n'ubwo burenganzira vyinjijwe mu mategeko n'amabwirizwa y'Uburundi.

Uwikekwako icaha aguma afatwa nk'umwere gushika sentare imucire urubanza.

Tubisanga mu ngingo ya 40 ivuga iti: "umuntu yagirijwe icaha afatwa nk'umwere gushika yagire icaha hakurikijwe amategeko mu ntahe y'icese kandi yaronkejwe uburyo bukwiye bw'ukwiregura".

b) Mw'Ibwirizwa Shingiro n'ibiri mw'ibwirizwa n°1/09 ryo kuwa 11 rusama 2018 ryerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.

Umuntu yikekwako icaha ntategerezwa gupfungwa. Ariko birashobora gushika ko uwikekwako icaha apfungwa ivy'agateganyo mu gihe c'amatohoza nk'uko amategeko abitegekanya.

Bitegekanijwe n'ingingo ya 154 ivuga iti " kubera ukwidegemvya ari uburenganzira bw'uwo ari we wese, ugupfungwa na kwo bikagirwa izindi nzira zose zananiranye uwagirizwa icaha ntashobora gupfungwa ivy'agateganyo kiretse iyo habonetse ivyagiriji bikwiye bigaragaza ko yakoze nya caha kandi ivyo yagirizwa biboneka ko ari icaha gihanishwa umunyororo utari munsi y'umwaka umwe.

Bitayeko, ugupfungwa ivy'agateganyo ntibishobora kugirwa canke kubandanya kiretse iyo ari bwo buryo bwonyene bwotuma n'imiburiburi kimwe muri ibi bikurikira kirangurwa:

* kugumana ivyemezo n'ibimenyetso biboneka vyerekeye icaha,

* kubuza ko amasura n'abakorewe icaha baremerwa ngo bahindure bahaba imburano zabo canke bene gukora icaha n'ababafashije baje inama yo kubesha ;

*kubuza ko umutekano uhungabana kubera ico caha cakozwe ;*

kubuza ko icaha kibandanya canke gisubira gukorwa canke kugira bagumize uwukurikiranwa aho ashobora kuboneka ubutungane bumukeneye".

Nk'uko twavuze ko gupfungwa bikorwa igihe ata kundi vyogenda, iyo umuntu yikekwako icaha yapfunzwe hadakurikijwe amategeko, umucamanza aca afata ubwo nyene ingingo y'ukumurekura nk'uko ingingo y'156 mu gace kyo ka 2 ibitegekanya.

Umuntu yikekwako icaha arafise uburenganzira bwo kurondera umushingwamanza amuburanira, ararekuriwe kwiregura ku vyo yagirizwa kandi n'amasura yiwe akumvirizwa.

Umuntu n'aho aba yakoze icaha aguma afise uburenganzira bwo gukingirwa.

Tubisanga mu ngingo ya 281 ivuga ko mu gihe uwikekwako icaha ari umuntu afise imyaka iri hagati ya cumi n'itanu na cumi n'umunani, umushikirizamanza afise iyo dosiye aca abimenyesha abavyeyi biwe canke abandi bantu bose bamujejwe.

Umuntu yikekwako icaha n'aho yoba yafatanywe itonga agumana uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere nico gituma afise uburenganzira bw'ukwiregura no kudasinzikarizwa ubuzima mu ntumbero yo kumwemeza icaha.

Ikindi twobamenyesha ni uko mu gihe umushikirizamanza abuze ikimenyetso kigaragaza ko uwikekwako icaha yagikoze arafata ingingo yo kubika dosiye.

Ivyo bikaba bitandukanye no kwambikwa izera kuko igihe ibimenyetso bibonetse mu nyuma dosiye irubururwa urubanza rukabandanya.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umuntu yikekwako icaha aguma afatwa nk'umwere gushika sentare ibifitiye ububasha imucire urubanza rumwagiriza ko yakoze icaha. Uwikekwako icaha birashika agapfungwa ivy'agateganyo ariko yapfunzwe hadakurikijwe amategeko, umucamanza aca afata ubwo nyene ingingo y'ukumurekura.

Twabonye kandi ko mu gihe uwikekwako icaha ari umwana ategerezwa gupfungirwa gusa mu kigo kijejwe kwigisha abo bana kubaho nk'abandi canke mu kibanza kiri mw'ibohero kigenewe kwakira abana.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Igisabisho c'ubumwe bw'abemera Kristu.




Ku wa 22 Nzero 2025 Diyoseze nkuru ya Bujumbura yari iramutse ihereza Imana igisabisho co gusaba ubumwe bw'abemera Yezu Kristu. Ico gisabisho cabereye muri Paruwase Mikaheri mweranda kuva isaha cumi n'imwe z'umugoroba, kikaba cari citabwe n'abaserukiye Ekleziya Katolika n'ayandi mashengero nka: Orthodox, Ishengero rya Anglikane, Ishengero ry'Abagenzi, Ishengero rya methodiste libre n'Ishengero rya methodiste uni.

Mu ntango y'ico gisabisho, patiri mukuru wa paruwase Mikaheri mweranda yahaye ikaze abakristu bose bari bitavye igisabisho. Yaribukije abari aho ko duhamagariwe gusaba Umukama ukugendera ubumwe n'urukundo Yezu Kristu yaturaze. Yamenyesheje ko ijambo ririko riramurikira indwi yahariwe ubumwe bw'abemera turisanga mu nkuru nziza yanditswe na ( Yohani 11,26). Musenyeri Eraste Bigirimana wo mw'ishengero rya Angikane yaciye ashikiriza igisabiho cinjije abari aho muri ico gisabisho.

Inyuma y'ico gisabisho, patiri Steve Niyonkuru yaratanze inyigisho isigura imvo n'imvano y'igisabisho c'umwe bw'abemera Yezu Kristu. Yatanguye amenyesha ingene amashengero yagiye ariyonkora kuri Ekleziya Katolika kubera ivyiyumviro binyuranye n'ukwemera kw'Ekleziya Katolika, inyungu zabo no kutayoboka kuri bamwe Papa.

Inyuma y'uko kwiyonkora kw'amashengero amwe amwe ubumwe bwaratosekaye, niho mu nyuma habaye ivyiyumviro vyo gutangura kuja hamwe ngo basabe ubwo bumwe.

Ibihe bikuru bikuru vyategura igisabisho co gusaba ubumwe bw'abamera vyabaye ibi:

• Mu 1740 i Ecosse, havutse umuhari w'abapantekote bari bafise ubutumwa bwo kunagura ubukristu, bahamagariye abantu gusabira amashengero yemera Kristu nabo barimwo.

• 1867 mu nama yambere yahuje abasenyeri bo mw'ishengero rya Anglikane mu ntango y'iyo nama, biyumviriye ku bijanye n'igisabisho co gusaba ubumwe bw'abemera Yezu Kristu.

• 1894 Papa Lewo w'i 13 yarateye intege umugirwa mwiza w'igisabisho c'iminsi umunani co gusaba ubumwe bagira imbere yo guhimbaza Pentecote.

• 1926 umuhari « Foi et Constitution » wasavye ko bokomeza, bagashigikira igisabisho c'iminsi 8 co gusaba ubumwe bw'abemera.

• 1964 i Yeruzalemu, Papa Paul wa 6 n'umwungere mukuru wa Orthodoxe Athénagoras wa mbere baravugiye hamwe igisabisho ca Yezu Kristu yavuze asaba ubumwe bw'abazomwemera dusanga mu Nkuru nziza ya Yohani 17.

• 1964 mu nama ya Vatikano ya kabiri yarashimitse mu kuvuga ko igisabisho ari umutima wo guhurira hamwe basaba ubumwe bw'abemera, iratera intege indwi yahariwe gusaba ubumwe bw'abemera Yezu Kristu.

• 1966 igisata « Foi et Constitution » barikumwe n'ibiro vy'umunyabanga kwa Papa ajejwe ubumwe muri Ekleziya Katolika baragiye inama yo kwama baja hamwe mu gutegurira hamwe ibisomwa bizoza birafasha mu ndwi yo gusaba ubumwe bw'abemera.

Intambwe yo kuja hamwe iraheza irabandanya gushika uyu munsi.

Iyo nyigisho iheze, haciye hakurikira ukuzirikana ijambo ry'Imana. Ico gice caragaraje ko abateguye ico gisabisho bashize imbere ubumwe. Igisomwa ca mbere dusanga muri (Dt 6,4-9) casomwe na pasitori Yohani Mariya Nsengiyumva wo mw'ishengero rya Anglicane; ica kabiri dusanga kwa ( 1P 1, 3-9) casomwe na pasitori Yozefu wo mw'ishengero rya Methodiste uni. Inkuru nziza dusanga kwa ( Yohani 11, 17-26) isomwa na patiri Felix Fupi patiri mukuru wa Katedrale Regina Mundi akongera akaba icariho c'umwungere muri Vikariya Mikaheri Mweranda.

Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana yashikirijwe na Musenyeri Isaac wo muri Orthodox, yashimikiye ku rukundo n'ubumwe bitegerezwa kuranga abemera Yezu Kristu. Tukarengera ibidutandukanya, tugashira imbere riho iragi rya Kristu.

Mu gusozera ico gisabisho Patiri Felix Fupi yari yaserukiye umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura yarashikirije abari aho indamutso yiwe, yongera arakengurukira abitavye ico gisabisho bose.

*MSV M Gorith Ndikumana*